**IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMWEPISKOPI**
**WA DIYOSEZE YA BUBANZA RYO KWUGURURA**
**UMWAKA W'UBUTUMWA WA 2020-2021**

*Basaserdoti mwese;*
*Bihebeyimana mwese;*
*Bakristu mwaserukiye abandi mwaje muva mu maparuwase agize Diyoseze yacu;*
*Bakristu mwese mwaje muri iyi Nkuka y'Imisa;*

1. Mu mwaka wa 2016, igenekerezo rya 19 Ntwarante, niho Nyenubweranda Papa Fransisko yashikiriza icese abakristu bo kw'isi yose inyigisho zerekeye « Ingo n'imiryango » mw'ikete yise : « AKANYAMUNEZA K'URUKUNDO » (Amoris Laetitia). Iryo kete ryasozera ibikorwa vy'Inama Sahwanya y'Abepiskopi baserukira ibihugu vyose vyo kw'isi, ikaba yabereye i Roma ku cicaro ca Petero Mweranda.

Umuvyeyi wacu Papa akaba asaba ashimitse Ekleziya yose kwitwararika ubutumwa bw'ingo n'imiryango avuga, ati : *« Ekleziya ifise uruhara ruhambaye rwo gushigikira ingo n'imiryango ihereye ku nyigisho yo gushitsa ubukristu ibicishije mu mibano rukristu irangwa n'urukundo n'igishika »* A .L. n° 84 (95).

2. Nico gituma nanje naciye ndabasaba ko twinjira muri iyo ntumbero ya Ekleziya y'isi yose mu kubashikiriza icivugo kivuga, kiti : **« Tunagure ingo n'imiryango yo ekleziya yo haziko ».**

Narabamenyesheje kandi ko mu kunoganza ico civugo tuzoza turagira intambwe ku mwaka ku mwaka. Uyu mwaka rero w'ubutumwa urangiye, twari twagize **intambwe ya kabiri** aho twashimikiye ku nyigisho zerekeye abitegurira kwubaka rukristu mu kugendera icivugo : **«Tunagure ingo n'imiryango duhereye ku bitegurira kwubaka rukristu »**. Nagiye ndabarungikira mu maparuwase yose inyigisho zateguwe ariko hariho n'izindi tutashoboye kurungika nazo nyene zizobashikira mu misi ya vuba, co kimwe n'ibindi bikorwa mperekeza vy'izo nyigisho. Nta nkeka ko habonetse ivyamwa bitari bike, tuzoronka akanya ko kubishira hamwe.

3. Muri uyu mwaka w'ubutumwa nipfuje ko dutera **intambwe ya gatatu** yerekeye indero y'urwaruka rwacu, mu civugo **: «Tunagure ingo n'imiryango, mukurera neza urwaruka rwacu».** Nkaba nisunze kandi iciyumviro c'Abepiskopi bari bashashe mu Nama Sahwanya i Roma aho bavuga bati: «Imwe mu ngorane zihambaye imiryango ibwirizwa kwitaho iki gihe ata gukeka, ni indero isigaye igoye kandi isaba vyinshi biturutse ku vyahindutse mu mico n'imigenzo, no kungaruka z'iterambere mu vy'uguhanahana amakuru» A.L n° 84 (94).

Na twebwe muri Diyosee yacu turabona ingorane zihambaye zerekeye indero y'abana. Aha twodondagura zimwe zimwe:

- Hari abavyeyi batari bake badohotse kw'ibanga ryo kurera ibibondo vyabo;
- Hari abatamenya gutanga indero ibereye mu rwaruka;
- Mu mashure usanga abarezi batanga indero idahagije canke bakigenza nabi bagatanga akarorero kabi mu rwaruka.
- Urwaruka rusamazwa n'ibintu vyinshi, rugafata minenerwe ivyo abavyeyi bababwira, ntiberekwe ivyo gusenga no kugendera ubukristu;
- Abarezi badakwiye mu mashure;
- Ugutituka rw'imico kama y'Abarundi vyatewe n'ibihe twagiye turacamwo vy'indwano, ubukene turimwo, ukubura aho tuba, ...
- Ukwakira imico n'imigenzo ivuye hanze y'igihugu cacu itajanye n'ubuntu hamwe n'ubukristu;
- Ugukoresha nabi iterambere ryo guhanahana amakuru.

**4. None ni bande bajejwe ubwambere indero?**

Kugira ngo indero mu rwaruka itangwe kandi yakirwe, abaja imbere **ni abavyeyi**. Nyenubweranda Papa Fransisko arabitomora neza ati: «Ariko ndabona ko bihambaye kwibutsa ko indero yuzuye y'abana ari "ibwirizwa rikomeye" ikaba "n'uburenganzira busumba ubundi bw'Abavyeyi. Ivyo rero si umwitwarariko gusa ku bavyeyi, ariko kandi ni uburenganzira ngombwa kandi ntasubirizwa bahamagariwe kurwanira kandi ata muntu n'umwe arekuriwe kubambura. Reta irabunganira mu gikorwa c'indero, mu gufata mu mugongo abavyeyi mw'ibanga ryo kurera atawundi boritererenya; bari n'uburenganzira bw'ukwihitiramwo intumbero y'indero bahambije kandi y'akanovera, bashaka guha abana babo bisunze ukwemera kwabo. Ishure ntirisubirira abavyeyi ariko rirabunganira. Ni ingingo shingiro". Abandi bantu bose bafise uruhara muvy'indero ntaco bashobora gukora atari kw'izina ry'abavyeyi, babibarekuriye kandi mu kuri kwa ngingo babishinze» A.L.n° 84 (96-97). Nico gituma abavyeyi bazoronswa inyigisho zitandukanye zizobunganira mu gikorwa cabo

ca misi yose co kurera neza abana babo. Erega uruhara rw’abavyeyi ni ntasubirizwa. N’Abarundi barayamaze bati:
*«Indero iva hasi; igiti kigororwa kikiri gito; ico ubivye nico wimbura; wanka kugarura impene ikiri hafi, yamara kurenga imirambi ukabira nka yo»*.

Iyo myibutsa yose irora ku bavyeyi kuko nibo batanga isemo rya mbere kandi rihambaye mu kurera neza urwaruka. Nta muvyeyi yokwigira sindabibazwa, umwana wese ategerezwa kugira agaciro, ategerezwa gukundwa mu muryango wiwe. Twumvise mu Nkuru Nziza Yezu yaduciriye umugani w’umuntu yari atunze intama ijana agatakaza imwe; ko yarekeye izo 99 mu gahinga akaja kurondera iyo imwe yatakaye gushika ayitore. Wa mugore nawe yari yataye ifaranga rimwe mu mafaranga 10 yarakubuye inzu yose gushika aritoye (Lk 15,4-10).

Turazi rero ko kurera bigoye, ariko abavyeyi bamenye ko basangiye n’Imana ubuvyeyi n’umutima w’ikigongwe. Nta mwana ruhebwa ariho!

## 5. Urwaruka narwo nyene ruzoronswa inyigisho.

Urwaruka narwo nyene ruzoronswa inyigisho zijanye n’imyaka rugezemwo, kugira ngo rukure rufise indero runtu na rukristu. Izo nyigisho zizotangwa hisunzwe iyi mirwi ikwirikira:

1. Kuva ku mwaka 1 gushika ku myaka 6 basanzwe baronka indero yo haziko itangwa n’abavyeyi.
2. Kuva ku myaka 7 gushika ku myaka 13
3. Umurwi ugira 3 ni kuva ku myaka 14 gushika ku myaka 20
4. Umurwi ugira 4 kuva ku myaka 21 gushika ku myaka 35
5. Umurwi ugira 5 urwaruka rwakomejwe ariko rutagize amahirwe yo kubandanya amashure.

√Hari n’abandi bazoronka inyigisho bafise uruhara mu ndero y’urwaruka: *abigisha b’abakatorika, abarongoye imihari n’imirwi y’ubutumwa muri Ekleziya.*

## 6. None iyo ndero tugomba guha urwaruka rwacu igomba gushika kuki?

Papa Fransisko arabitwereka aho avuga, ati: «Igihambaye cane cane, *ni ukurema mu mwana, urukundo rwinshi, ingiro n’ingendo zo kumukomereza ukwishira no kwizana, z’ukwirera n’uguca ubwenge, z’ugukura ku mutima no ku mubiri, z’uguteza imbere ubwigenge bw’ukuri. Ni muri iyo nzira yo nsa umwana azoronka muri we ivyangombwa bimufasha kwirwanira kandi agashobora gukurana ubwenge n’ubukerebutsi mu bihe bigoye*» A.L n° 261.

Hejuru ya vyose, urugo rukristu, mu kwitwararika indero y'abana, rwofata akarorero ku mwitwarariko Yozefu na Mariya bari bafitiye Yezu, mu Muryango Mweranda w'i Nazareti.

**7. Kugira iryo hangiro turishikeko rijanye n'ico civugo, ndasavye ko muri buri Paruwase:**

*1° Haba umusaserdoti ajejwe ubutumwa bw'urwaruka (Pastorale des jeunes);*

*2° Hashingwa komite ya Paruwase ijejwe ingo n'imiryango;*

*3° Haba komite iserukira urwaruka.*

Ariko rero kugira ngo ubwo butumwa bushoboke kuranguka, abakristu bose basabwe kubugira rwabo mu kubushigikira. Guhera muri uyu mwaka w'ubutumwa rero, tugiye kuja turasaba umubano rukristu wose gushigikira ubutumwa bw'Ibiro Nshingwabutumwa vya Diyoseze kuko arivyo vyunganira Umwepiskopi mu gutegura izo nyigisho.

Mu kurangiza ndabatumiriye mwese kugira iki civugo icanyu, mu kuba imboneza mu ndero y'urwaruka kazoza ka Ekleziya n'igihugu.

Namwe rwaruka, muramenya ko «**Ubuntu bwihabwa»**, muzokwirikirane mwongere mwakire neza inyigisho muzohabwa kandi muzozigire ubuzima bwanyu.

Ndabaragije Umuvyeyi Bikira Mariya.

Muryango Mweranda w'i Nazareti... Dusabire!